Bibiliya y'Abana
Ishikirije

Nowa hamwe
n'Umwuzurira

Yanditswe na: Edward Hughes

Amashusho ashirwamwo na:
Byron Unger; Lazarus; Alastair Paterson

Itunganywa na: M. Maillot; Tammy S.

Isobanurwa mu Kirundi na:
Rémy Christian NTIRURIKURE

Yateguwe na: Biblefor Children
www.M1914.org

©2020 Bible for Children, Inc.
Uburenganzira: Murafise uburenganzira bwo kwimura canke gusohora ku mpapuro iyi nkuru mugihe gusa mutayigurisha.

Nowa yari umuntu yasenga Imana. Abandi bose baranka kandi bakagarariza Imana. Umusi umwe, Imana iravuga ikintu kibabaje.

“Ngiye guhonya iyi si y’abagabitanya,” Imana ibwira Nowa. “Umuryango wawe gusa niwo uzorokoka.”

Imana iteguza Nowa ko umwuzurira munini ugiye kuza kandi ufuke isi.

“Ubaka ubwato mu biti,
ubwato bunini kubw’umuryango
wawe n’ibikoko vyinshi,”
Nowa ahabwa itegeko.

Imana iha Nowa amategeko akwiye. Nowa aja ku gikorwa!

Abantu
bashobora
kuba
baramusuzuguye
igihe Nowa ...

... yabasigurira igituma yubaka ubwato.
Nowa arabandanya kwubaka.

Arabandanya
no kubabwira
ivy'Imana.
Nta
n'umwe
yateze
ugutwi.

Nowa yarafise
ukwizera
gukomeye.

Yizeye Imana
n'aho imvura itari
bwigere igwa
imbere y'aho.

Haciye igihe, bwa
bwato bwari
bwuzuye kugira
baheze bashirem-
wo ivya nkenerwa.

Ubwo rero haza ibikoko. Imana izana indwi ku bwoko bumwe bumwe, ubundi bwoko bibiri bibiri.

Inyoni nini na ntoya, ibikoko bito bito na binini bifata inzira yo mu bwato.

Hari n'aho, abantu baterera
mw'ijwi batuka Nowa igihe
yariko yinjiza ibikoko mu
bwato.

Ntibigeze bareka gucumura ku Mana. Ntibasavye ngo binjire mu bwato.

Mu nyuma, ibikoko
vyose
n'inyoni
zose
birinjira
mu bwato.
"Injira mu bwato,"
Imana ibwira Nowa.

“wewe n’umuryango wawe.”
Nowa, umugore wiwe, abahungu biwe batatu n’abagore babo barinjira mu bwato.


Hanyuma,
Imana irugara
umuryango!

Hanyuma,
imvura iragwa.
Imvura y'urutavanako
ikwiza amazi hose kw'isi ku
misi n'amajoro mirongo ine.

Imyuzurira
yuzura ibisagara
n'imihana yo ku misozi.

Imvura ihise, n'imisozi yari yafutswe n'amazi. Ikintu cose gihema carapfuye.


Uko amazi yaduga, niko ubwato bwarareremba hejuru. Vyoshoboka ko hatabona imbere mu bwato, canke ko hadudagura, canke ko hari hateye ubwoba.

Ariko ubwato
bwahishije
Nowa ngo akire
umwuzurira.

Haciye amezi atanu
y'umwuzurira, Imana
irungika umuyaga wo
kwumisha.

Bukebuke, ubwato
buratekana hejuru
y'imisozi ya Ararati.

Nowa aguma imbere mu bwato iyindi misi mirongo ine, amazi nayo ariko arasubira inyuma.

Nowa arungika igikona hamwe n'inuma acishije mw'idirisha yuguruye. Kubera ko itashoboye kuronka ikibanza ciza cumutse, inuma iragaruka kwa Nowa.

Haheze indwi imwe, Nowa arasubira arageraageza.

Inuma igarukana
ibabi ry'igiti
c'umusukoni
gitotahaye mu
kanwa kayo.

Mu ndwi ikurikira, Nowa amenya ko isi yumye kuko ya numa igarutse.

Imana ibwira Nowa ko hageze kuva mu bwato. Nowa be n'umuryango wiwe barasohora vya bikoko.

Mbega
amashimwe
Nowa
yatanze!

Yubaka igicaniro
kandi asenga Imana
Yo Yamukijije be

n'umuryango
wiwe uyo
mwuzurira
uteye ubwoba.

Imana
iha Nowa
isezerano
ry'igitangaza.

Ko
Itazokwigera
isubira
kurungika

umwuzurira
mu gucira
imanza z'icaha
c'umwana
w'umuntu.

Imana itanga icibutso c'isezerano Ryayo.

Umunywamazi niwo wabaye ikimenyetso c'Imana.

Nowa
n'umuryango
baronka intango
nshasha inyuma
y'umwuzurira.

Muri
ico gihe,
abamwamukako
basubira gukwira
isi.

Amahanga
y'isi yose
yamutse kuri
Nowa n'abana
biwe.

Nowa hamwe n'Umwuzurira

Inkuru ivuye mw'Ijambo ry'Imana, Bibiliya

tuyisanga muri

Itanguriro 6-10

"Guhishurirwa amajambo yawe kuzana umuco, guha abatungu ubwenge."
Zaburi 119:130

Iherezo

Iyi nkuru ya bibiliya itubwira kuvyerekeye Imana yacu y'igitangaza yaturemye kandi igashaka ko tuyimenya.

Imana irazi ko twakoze ibibi, arivyo yita icaha. Igihano c'icaha ni urupfu ariko Imana iragukunda cane yarungitse umwana wayo w'ikinege, Yesu, gupfa ku musalaba kugira ahanwe kubw, ivyaha vyawe. Hama Yesu asubira kubaho aca agenda I muhira mw'ijuru. Niwizera Yesu ukamusaba aguharire ivyaha vyawe, azobikora. Azoza abe muri wewe, hama uzobana na we ibihe bidashira.

Niwizera uko ni ukuri, bwira Imana ibi: Yesu mwiza, ndizera ko uri Imana, kandi wacitse umuntu ugapfa kubera ivyaha vyanje, hama ubu ukaba uri muzima. Rero ingo mu bugingo bwanje hama uharire ivyaha vyanje, kugira ngire ubugingo bushasha, hama umunsi umwe nze mbane na we ubugingo budashira. Mfasha kugira ndakwumvire kandi mbeho ku bwawe nk'Umwana wawe. Amen.

Soma bibiliya hama uvugane n'Imana iminsi yose. Yohana 3:16